**ISHIRAHAMWE RYA BURAYA**
**UMURWI W'ISHIRAHAMWE RY'ABANYABURAYA**
**UJEJWE GUKURIKIRANA AMATORA-BURUNDI 2010**
**Amatora y'abajenama b'amakomine, ay'Umukuru w'Igihugu, ay'Abashingamateka, ay'Abakenguzamateka, n'ay'Imitumba**

# ITANGAZO MFATAKIBANZA

**Amatora yabaye mu mutekano, ariko ntiyahiganirwa na benshi kandi arangwa n'icuka kibi ca politike.**

**Bujumbura, kuwa 30 Ruheshi 2010**

*Ku butumire bwa Reta y'Uburundi, Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora warashitse mu Burundi kuva kw'itariki 25 Ndamukiza. Uyo murwi urongowe n'umupfasoni Renate Weber, akaba asanzwe ari mu Nama Nshingamateka ya Buraya. Abarorerezi bangana mirongo ine ba buraya, mu Buswisi, Norvège, na Canada barakwiragijwe muntara cumi n'indwi zigize uburundi kugira ngo bakurikirane neza amatora y'umukuru w'igihugu nk' uko atunganijwe hakurikijwe amategeko mpuzamakungu hamwe n'ay'Uburundi.*

*Izo ntumwa zitanze icegeranyo c'imfatakibanza, mu bwigenge kandi zisunze Itangazo mpuzamakungu ryerekeye gukurikirana amatora ryashikirijwe mu Nama Mpuzamakungu muri Gitugutu umwaka wa 2005.*

*Ku munsi w'amatora, abo barorerezi bo mu murwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, baragendeye ibiro vy'amatora bishika kuri 205 biri mu ntara 17 kugira ngo bihweze itangurwa icese ry' amatora, bayakurikiranire hafi, baharure ivyavuyemwo bongere barabe n'itangazwa ry'ivyayavuyemwo.*

*Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, uzokwihweza muri rusangi urukurikirane rw'amatora. Mu kiringo c'itunganywa ry'amatora y'umukuru w'igihugu, Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora warihweje kandi ikiringo gikwirikira amatora y'abajenama b'amakomine, uwo murwi ukongera ukihweza kandi n'imyiteguro ijanye n'amatora y'abashingamateka. Mu vyapfunditswe muri rusangi ku matora y'umukuru w'igihugu ntibisigura amatora azokwirikira, mu gihe hovuka ibiganiro v ya politike hamwe no mu gushimangira ivyotuma amatora aba meza mu kugira ingendo y'intwaro rusangi itsimbatare.*

*Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, uzokwihweza kandi ibikorwa vy'inyuma y'amatora na cane cane ukwegeranya ivyayavuyemwo, n'ikiringo gihambaye co kwihweza neza ivyaha vyakozwe mu gihe co gutora. Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora uzotangaza icegeranyo ntabanduka co gusozera muri rusangi ku vyihwejwe vyose, hatarenze amezi abiri amatora arangiye.*

## ICEGERANYO MFATAKIBANZA

- Amatora y'umukuru w'igihugu yo kuwa 28 Ruheshi 2010, abaye aya kabiri mu rukurikirane rw'ayandi atanu atunganijwe uhereye mu kwezi kwa Rusama ugashitsa muri Nyakanga. Ni ubwa mbere, uhereye mu 1993, Umukuru w'Igihugu atorwa n'abanyagihugu ubwabo. Amatora yo kuwa 24 Rusama yakurikiwe n'icuka kibi ca politike hagati y'umugambwe CNDD-FDD, waronse amajwi menshi mu matora y'abajenama b'amakomine, hamwe rero n'abatavuga rumwe n'uwo mugambwe baciye biyonkora mu matora y'umukuru w'igihugu yakwiririka, akaba yaretse

Umukuru w'Igihugu Petero Nkurunziza, akaba yabaye uwitoza umwe rudende mw'ihiganwa ryayo matora.

- Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora urashimishwa n'umutekano waranze amatora yo kuwa 28 Ruheshi, abajejwe umutekano bakaba barakoze igikorwa gishimishije mu gutsimbataza umutekano. Naho hibonekeje icuka kibi kirimwo ubwicanyi, abarundi barashoboye kurangura itegeko ry'ubwenegihugu ryo gutora.
- Amatora y'umukuru w'Igihugu yateguwe mu gihe c'icuka kibi hagati y'abanyepolitike, bikaba vyarerekanye ukutubahiriza ingingo zimwe zimwe mpuzamakungu, na cane cane mu kutubahiriza uburenganzira bwo guserura ivyiyumviro bijanye na politike.
- Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, ukaba wariboneye akarusho ku vyerekeye igisata c'urwego rutunganya amatora c'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu (CENI), hamwe rero n'inyigisho zibereye zatanzwe ku bagize ibiro vy'amatora, ariko rero naho biri uko, uwo murwi urabona ingoga nke n'itosekazwa ry'amategeko ajanye n'ivyerekeye n'uburyo bwo gushikiriza ingingo zashinzwe n'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu (CENI).
- Twagomba kwibutsa ko Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, abandi barorerezi mpuzamakungu n'abo mu gihugu, Umuryango wa Ekereziya Gatolika hamwe rero n'abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi baremeje amahinyu n'utunenge mw'itunganywa ry'amatora y'abajenama b'amakomine, ariko ntibavuguruje ivyayavuyemwo. Naho bimeze uko, ukudahengama kwa CENI mu kiringo ca nyuma c'amatora, mu gutorera umuti amatati, mu gutangaza ivyavuye mu matora ku biro bimwe bimwe vy'itora, hamwe rero no kubahiriza uburenganzira bwo guserura ivyiyumviro vya politike hamwe no guhurira hamwe kw'abanyepolitike bose, ivyo vyose vyari gushobora kugira ico bihinduye.
- Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora uranegura ko atahiganwa rya benshi ryahabaye. Kubw'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, ivyo bikaba bisigurwa n'ukwiyonkora mw'ihiganwa ry'abitoza batandatu batavuga rumwe n'umugambwe uri ku butegetsi, abo nabo bakaba bariyamirije ivyavuye mu matora y'abajenama b'amakomine, vyashikirijwe na CENI, ko Reta ibaka uburenganzira bwo gutunganya amanama no gushikiriza ivyiyumviro vya politike, bikaba kandi vyibonekeza ko atagushaka gushemeye kwa Reta kwo gufata inzira y' ibiganiro.

  Vyongeye, Iyemezwa ry'itegeko bwirizwa inomero 28 y'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu CENI ryafashe nk'akamarampaka amatora y'umukuru w'igihugu, vyabwirizwa gukurikirwa n'uko abatora baronkejwe uburyo n'uburenganzira bwo kubimenyeshwa.

- Amategeko ategekanya neza na neza uko amatora abwirizwa gutunganywa hisunzwe amategeko mpuzamakungu agenga amatora, ari nayo benshi bemeza ko Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu be n'abategetsi b'igihugu batisunze. Ayo mategekeko tukaba tuyasanga mw'ibwirizwa shingiro ryo mu 2005, mw'itegeko rigenga amatora ryo mu 2009 hamwe n'ayandi mategeko yashizweko igikumu n'umukuru w'igihugu, mu matangazo n'amategeko bwirizwa y'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, ari nawo ujejwe gutunganya no gusigura ido n'ido uko amatora atunganijwe. Izo nyandiko zose zikomoka ku masezerano y'i Arusha akaba ashimikira ku buringanire bw'amoko, imigambwe, be n'ibitsina.
- Mu gutunganya ibijanye n'amatora, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, wagiye uratanga amategeko ahaze mu gitabu c'amategeko agenga amatora, uwo murwi CENI wahavuye ushinga ingingo kugira wuzurize ibihengeri vy'itegeko rigenga amatora mu vyerekeye ibice bimwe bimwe vy'itunganywa ry'amatora, zisanzwe zihushanye n'ingingo zisanzweho.

  Naho bimeze uko, ingingo zijanye n'itunganywa ry'amatora z'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, izo ngingo zagiye zirahererekanywa mu mvugo, hari igihe zitumvikana neza, zigatosekaza n'amategeko ahasanzwe. Ivyo bikibonekeza mu mategeko agenga igitigiri c'abatora kubiro vy'itora aho batiyandikishije canke aho ubwiherero butumbereye.
- Ku mirwi yigenga ijejwe gutunganya amatora ku rwego rwa Komine hamwe no mu mirwi yigenga ijejwe gutunganya amatora ku rwego rw'intara, ibikoresho vy'amatora vyatanzwe imbere kugira bisuzumwe neza kandi bitangwe no mu biro vyose vy'amatora imbere y'umunsi w'amatora.Muri iyo ntumbero, itangwa ry'amakarata yo gutora ryari ryamaze kuba hagati y'aya matora abiri. Eka mbere, n'isubirwamwo ry'intonde z'amatora zikaba zari zararangiye hihwejwe amatora aheruka y'abajenama b'amakomine.
- Integuro y'amatora yarakozweko n'igihe imigambwe itavuga rumwe na Reta ikuye akarenge mw'ihiganwa. Muri ico gihe nyene, abagize ibiro vy'amatora barashavuye mu kubona batararonswa impembo yabo ijanye n'amatora aheruka y'abajenama b'amakomine. Naho biri ukwo, Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora urashimishwa n'ingene abagize ibiro vy'amatora bavyifashemwo ku munsi w'amatora.
- Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu umaze kubona ko atabiyandikisha ngo bitoze mu matora y'abashingamateka yo kuwa 21 Ruheshi, waciye ufata ingingo yogusohora itangazo ritegekanya ikiringo c'ukumenyesha abitoza kuba abashingamateka kw'itariki 23 Ruheshi utanga n'akaryo ko gusozera iyandikwa ry'abitoza "bamenyekanye" gushika kw'igenekerezo rya 27 Ruheshi 2010 isaha umunani z'umuhingamo. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya ujejwe

gukurikirana amatora uremeza ko ivyo vyakozwe uko kugira borohereze imigambwe itavuga rumwe na Reta kugaruka mu matora

- Imyiyamamazo y'amatora yabaye kuva italiki 12 gushika 25 Ruheshi, yaranzwe n icuka c'ihagarikwa hamwe no kutabona neza ibikorwa vya politike hamwe rero n'umutekano muke urangwa n'ibikorwa vy'ububisha vyatumye benshi bakomereka abandi bagapfa. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura iyo nyifato ikibutsa kandi ko ubugizi bwa nabi bubera intambamyi mw'itunganya ry'amatora abereye.
- CNDD-FDD yiyamamaje n'ubwira bwinshi, ishizemwo n'ubutunzi bwa Reta, ivyo navyo bikaba bitadomweko urutoke canke ngo bihanwe mu kiringo co kwiyamamaza. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uributsa ko ikoreshwa ry'uburyo bwa Reta riteye kubiri n'Igitabu c'amategeko agenga amatora kandi biteye kubiri n'ivyemejwe n'amategeko mpuzamakungu. Imigambwe itavuga rumwe n'ubutegetsi, yahamagariye abanywanyi bayo kutitaba amatora. Uburenganzira n'agateka ko gushikiriza ivyiyumviro vya politike hamwe n'amanama vyaragabanijwe cane n'amategeko avuye ku Mushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu kubuza amanama n'imyiyamamazo yo ku mugaragaro igizwe n'imigambwe itashikirije abitoza ku rwego rw'umukuru w'igihugu.
- Muri rusangi, igikorwa c'abajejwe umutekano cagenze neza. Mu kiringo c'amatora, Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora urabatera intege mu kuzitira ibikorwa vy'ububisha ataho begamiye hamwe no mu kurangura imirimo yabo bishimikije amategeko.
- Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urababazwa n'ukubona ko amatati aturutse ku matora adasigurwa neza mu gitabu c'amategekoagenga amatora kandi uranegura kubona atagushaka gushemeye mu gutunganya amategeko ajanye no gutorera inyishu ibibazo vyerekeye amatora y'abajenama b'amakomine hamwe no kudatomora ingene amategeko azokwirikizwa mu gutunganya amatora y'Umukuru w'Igihugu. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'uko itunganywa ry'amatora ritigeze rishiraho, nkuko amategeko mpuzamakungu abisaba, Igitabu c'imburano bishikirijwe ku matora, ari naco cabuze mu matora y'abajenama b'amakomine. Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora uratera intege abategetsi b'uburundi, abarorerezi mpuzamakungu berwa n'ibikorwa vy'amatora gusenyera ku mugozi umwe kugira bongereze ububasha bwa Sentare yubahiriza ibwirizwa Shingiro imbere y'amatora y'Abashingamateka, ategekanijwe kuwa 23 Mukakaro.
- Nk'uko vyagenze mu matora y'abajenama b'amakomine ibimenyeshamakuru bitandukanye, vyarashize hamwe uburyo n'ubuhinga bwavyo , mu runani, kugira bishobore gushikiriza amakuru ajanye n'igice c'ikiringo c'ukwiyamamaza mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu , hamwe no ku munsi w'amatora. Umurwi w'Ishirahamwe

ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimishwa n'ukwo gukorera hamwe kandi iranatera intege ivyo bimenyeshamakuru mu kubandanya gukora uko mu matora akwirikira.

- Ibimenyeshamakuru vyarashoboye kurangura umurimo wavyo vyubahiriza uburenganzira bwo gushikiriza inkuru kandi vyaranagererageje kugendera akarangamutima k'umwuga wo kumenyesha amakuru, kashizweko igikumu muri iki kiringo c'amatora turimwo. Yamara, Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora uranegura n'ingendo zo guta umurongo zibonekeje, mu maradiyo amwe amwe yigenga mu kiringo c'imbere y'amatora no mu kiringo co kwiyamamaza na cane cane hanze y'urunani rw'ibimenyeshamakuru.
  Hanyuma, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wariboneye ko ibimenyeshamakuru bimwe bimwe bitubahirije ingingo yo guhagarika imyiyamamazo nkuko vyari vyasabwe n'urwego rucungera itangwa ry'amakuru.
- Amatora yabaye mu mutekano kurusha uko vyari vyitezwe, dufatiye ku bikorwa vy'ububisha vyaranze ikiringo c'imbere y'amatora. Abarorerezi barabonye ko mu biro bashitsemwo ibikorwa vy'amatora vyaranguwe neza mu ngiro. Ariko, barerekana utunenge mu bijanye no kubahiriza ugutora mw'i banga, mu gukoresha irangi ridahanagurwa, hamwe n'ibikorwa vyo guhimiriza mu gutora ku nguvu mu bibanza bimwe bimwe bagendeye, na cane cane mu burere bwo hagati mu gihugu.
- Kubona Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, uteba gutanga itegeko ritangaza ivyegeranyo mu bibanza vy'amatora naho, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wari wabisavye guhera ku matora y'abajenama b'amakomine, vyaragize inkurikizi mbi ku matora. Ni ngombwa ko mu matora azokwirikira Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, ushira mu ngiro ingingo zose zikenewe zo gukorera ku mugaragaro na cane cane mu gutangaza vuba bwango ivyegeranyo n'ivyavuye mu matora mu buryo ngurukanabumenyi bwawo uretse ku bimanika mu kibanza kigaragara.
- Umurwi wIshirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora warashoboye gushika mu kigo cegeranirizwamwo kikigirwamwo amakuru yose y'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu aho batunganiriza ivyegeranyo vy'ivyavuye mu matora. Ku munsi w'iyandikwa ry'iki cegeranyo, ivyegeranyo vyivyayuye mu matora vyari bikiriko birandikwa mu kigo co kwegeranya no kwiga amakuru n'ivyavuye mu matora, n'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu ntiwari bwatangaze ibiharuro mfatakibanza.

IMYIHWEZO Y'IMFATAKIBANZA

**I. MU VYEREKEYE POLITIKE**

Amatora y'umukuru w'igihugu yo kuwa 28 Ruheshi 2010 agira kabiri ku rukurikirane rw'amatora ategekanijwe mu kiringo co guhera muri Rusama gushika muri Nyakanga. Ni ubwa mbere guhera mu mwaka wa 1993, Umukuru w'Igihugu yitorerwa n'abanyagihugu ubwabo. Amatora y'abajenama b'amakomine yo ku wa 24 Rusama yakurikiwe n'uruhagarara mu banyepolitike hagati y'umugambwe CNDD-FDD, waronse amajwi menshi mu matora, n'imigambwe itari ku butegetsi yiyamiriza ivyayavuyemwo.

Ivyavuye mu matora y'abajenama b'amakomine, yari yitabwe cane n'abanyagihugu bangana ibice 90,67%, vyerekana ko umugambwe uri ku butegetsi ariwo watahukanye intsinzi, Inama y'igihugu iharanira Intwaro rusangi – Umuhari urwanira Intwaro Rusangi (CNDD-FDD). Uwo mugambwe waronse amajwi agera ku bice 64,3% mu gihugu cose. Uwo mugambwe urusha amajwi na kure iyindi migambwe nk'Inama y'abanyagihugu iharanira ubwigenge (FNL) waronse amajwi angana n'ibice 14,5% vy'abatoye. Mu gisagara ca Bujumbura, ivyavuye mu matora biraringaniye, vyerekana ko umugambwe CNDD-FDD waronse amajwi agereranye, ariko imigambwe mishasha yaronse intsinzi iboneka. Intara yonyene aho vyibonekeza ko umugambwe CNDD-FDD utaronsemwo intsinzi ni Intara ya Bujumbura-Rural aho yaronse ikibanza ca kabiri (26,60%) inyuma y'umugambwe FNL (57,48%).

Twagomba twibutse ko Umurwi w'Ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, n'abandi barorerezi mvamakungu canke bo mu gihugu, Umuryango wa Ekereziya Gatolika, abanyamakuru eka n'abandi baserukira amakungu berekanye amahinyu n'utunenge vyibonekeje mw'itunganywa ry'amatora y'abajenama b'amakomine ariko ntibavuguruje ivyayavuyemwo. Ariko, kubona Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu (CENI) washimye gukorera ku mugaragaro mu kiringo cakurikiye amatora, mu kugerageza gutorera inyishu amatati, mu gushikiriza ivyavuye mu matora ku buryo buramvuye ufatiye ku biro vy'amatora, ndetse no kwubahiriza uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro ku banyepolitike, ivyo birashobora kuba hari ico vyomaze mu matora akwikirikira.

Kubera ivyo vyavuye mu matora, abanyepolitike barangwa n'uko biciyemwo imice ibiri hagati y'umugambwe watsinze amatora y'abajenama b'amakomine be n'imigambwe 12 itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi, yiyamiriza ivyavuye mu matora, bahurikiye mu Runani rw'Abaharanira Intwaro Rusangi n'Ihinduka mu Burundi (ADC-Ikibiri) n'Urunani Rw'iterambere ry'Igihugu (UPRONA). Ibisabwa n'abahurikiye mu Runani ADC-Ikibiri ntibirahinduka, navyo ni : gusubiramwo amatora y'abajenama b'amakomine be no gusubiriza umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu (CENI). Bisubiye, urwo runani rwahamagariye abanyagihugu kutitaba amatora y'umukuru w'igihugu mbere n'amatora yose ategekanijwe. Kubw'ivyo, abantu batandatu bari bashikirijwe n'imigambwe itari ku butegetsi

ngo bitoze mu kibanza c'umukuru w'igihugu baciye bakura akarenge, basiga uwahora arongoye igihugu wenyene, Petero Nkurunziza, ngo abe ariwe yitoza muri ico kibanza wenyene.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura ko ata higanwa rya benshi ryahabaye. Kubw'umurwi w'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, ivyo vyatumwe n'uko abitoza batandatu bakuye akarenge mw'ihiganwa biyamiriza ivyavuye mu matora y'abajenama b'amakomine, kubera imigambwe itari ku butegetsi itacizeye umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, ko Reta ibaka uburenganzira bwo gutunganya amanama no gushikiriza ivyiyumviro vya politike, bikaba kandi vyibonekeza ko ata gushaka kuboneka kwa Reta kwo gufata inzira y'ibiganiro. Vyongeye, iyemezwa ry'itegeko bwirizwa inomero 28 ry'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu (CENI) ryafashe nk'akamarampaka amatora y'umukuru w'igihugu, vyabwirizwa imbere ya vyose gukurikirwa n'uko abatora baronkejwe uburyo n'uburenganzira bwo kubimenyeshwa.

**II. MU BIJANYE N'AMATEGEKO**

Amategeko ategekanya neza na neza ukwo amatora abwirizwa gutunganywa yisunze amategeko mpuzamakungu ajanye n'ivy'amatora, ari nayo abenshi bemeza ko umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu be n'abategetsi b'igihugu batisunze. Kubera ico, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu wemeje inyandiko zatumye rimwe na rimwe ingingo z'igitabu c'amategeko agenga amatora zihindura intumbero. Ni nk'itegeko bwirizwa inomero 023 ryo kuwa 16 Ruheshi ryemerera imirwi imwe imwe y'abatora gutorera ku biro vy'amatora batiyandikishirijemwo, be n'itegeko bwirizwa inomero 028 ryo ku wa 16 Ruheshi rihindura itunganywa ry'igikorwa co gutora hamwe n'iharura ry'amajwi mu kubifata nk'imarampaka.

Amategeko agenga amatora yo mu mwaka wa 2010 agizwe n'ibitabu vyinshi vy'amategeko nko mw'Ibwirizwa Shingiro ryo mu mwaka wa 2005, Itegeko rigenga amatora ryo mu mwaka wa 2009 hamwe no mu yandi mategeko yashizweko igikumu n'umukuru w'igihugu, amatangazo, n'amategeko bwirizwa y'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu ari nawo ujejwe gutunganya no gusigura ido n'ido uko amatora atunganijwe. Izo nyandiko zose zikomoka mu Masezeraro y'i Arusha yashizweko umukono kuwa 28 Myandagaro 2000, yo ashimikiye ku buringanire bw'amoko, imigambwe hamwe n'ibitsina.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa no kubona ubwo nyene abitoza mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu, bakomoka mu migambwe itari ku butegetsi baraye bakuye akarenge mu bitoza, kw'igenekerezo rya 28 Ruheshi 2010, Umushikiranganji w'intwaro yo hagati yaciye akoranya abarongoye intara bose kugira abamenyeshe ko iyo migambwe itagifise uburenganzira bwo gukoranya amanama canke kwiyamamaza. Kubw'ivyo nyene, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe

Gukurikirana Amatora ntushimishwa no kubona ububisha bwiyongera bwo guhonyanga agateka ka zina muntu bwerekeza cane cane abanywanyi b'imigambwe itari ku butegetsi n'abari mu mashirahamwe adaharanira inyungu za politike, bo ahanini batashoboye gushikiriza ivyiyumviro vyabo, canke mbere no gukoranya amanama nkuko babirekurirwa n'Ibwirizwa Shingiro ryo mu mwaka wa 2005, itegeko rigenga amatora, hamwe n'amategeko mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bwo gutunganya amanama no gushikiriza ivyiyumviro vya politike.

Kw'igenekerezo rya 16 Ruheshi, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, wemeje itegeko bwirizwa inomero 028 ridondora amatora y'Umukuru w'Igihugu kandi rikerekana kwemeza canke guhakana uwitoje mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu. Muri iryo tegeko, uwitoza aba yatowe iyo ashikanye amajwi asabwa, ni ukuvuga amajwi ari mw'ibahasha ryera. Amatora asubirwamwo iyo amajwi asabwa atakwiye. Iyo amajwi asabwa adashitse inyuma y'isubirwamwo ry'amatora, umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu uca uhanuza Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ukwo amatora yobandanya. Umurwi w'ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uremeje ko iyi ngendo y'imarampaka itahejeje ngo ikurikirwe n'ihinduka rifasha imigambwe itari ku butegetsi be n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike kugira ngo atomore igikorwa c'umunyagihugu w'umurundi atora, mu biganiro, mu guhanahana ivyiyumviro ata nkomanzi kandi ku mugaragaro.

Ku bijanye n'ikiringo co kwiyamamaza hamwe no gushikiriza abitoza mu kibanza c'abashingamateka n'abakenguzamateka, umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora urashimishwa n'uko umurwi CENI wuguruye imyango mw'itangazo ryo kw'igenekerezo rya 21 Ruheshi aho yungururije ikiringo cahora kw'igenekerezo rya 23 Ruheshi kw'igenekerezo rya 27 Ruheshi kugira abifuza kwitoza mu kibanza c'abashingamateka biyandikishe. Umurwi w'ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana amatora usaba umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu (CENI) kugerageza ukwo ushoboye kugira ngo ushikirize kuburyo butomoye abanyagihugu ingingo ufashe kandi turawuhamagariye kubandanya urushirizaho inguvu mu gikorwa cawo co guhagararira uburenganzira, kudahengama, gukorera ahabona, ubwigenge mu kiringo c'amatora. Umurwi w'ishirahamwe ry'Abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora wemeza ko ibijanye n'abitoza be n'imigambwe yiyandikishije mu matora y'abashingamateka vyotangazwa ku mugaragaro n'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora wibukije kandi ko inguvu nke za Sentare yubahiriza ibwirizwa shingiro (kubera imvo z'uburyo n'ubushobozi buke), n'ukutagira ingingo zitomoye zigenga amatora y'Umukuru w'Igihugu, y'abashingamateka n'ay'abakenguzamateka biracateye ingorane. Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora ntushimishwa n'uko ata nyishu nziza yatanzwe ku cipfuzo c'Ishirahamwe mpuzamakungu y'abavuga igifaransa (OIF) co kwongereza ubushobozi Sentare yubahiriza ibwirizwa shingiro imbere y'amatora y'umukuru w'igihugu.

**III. ITUNGANYWA RY'AMATORA**

Amatora y'umukuru w'igihugu yatunganijwe ku rwego rw'igihugu, imirwi 17 yigenga ijejwe gutunganya amatora ku rwego rw'intara be n'imirwi 129 ijejwe gutunganya amatora ku rwego rwa komine. Abatora bari bahamagariwe gutorera mu biro vy'amatora 6,969, ibiro umunani birenga ku vyari bitegekanijwe mu matora y'abajenama b'amakomine. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye akarusho mw'itunganywa ry'amatora ryakozwe n'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, uhereye no mu guha inyigisho abagize ibiro vy'amatora.

Vyongeye, uwo murwi wariboneye ingonga nke n'itosekazwa ry'amategeko agenga uburyo bwo gutanga inkuru zijanye n'amategeko hamwe n'ingingo zafashwe n'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI. Kandi, integuro y'amatora yaratosekajwe n'uko imigambwe itari ku butegetsi itizeye Umurwi w'igihugu ujejejwe gutunganya amatora mu gihugu, n'ugutakaza agatima k'ibiganiro hagati yabo.

Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, utegerezwa gutunganya amatora mu vyerekeye amategeko ahamagarira gutanga ivyiyumviro n'ugutanga insiguro zitomoye. Bisubiye, birashika ko ingingo zijanye n'itunganywa ry'amatora, rimwe na rimwe zihushana n'amategeko ahasanzwe, zihabwa mu mvugo, kuburyo zishobora gutosekaza amategeko mbere bigatuma zidatomora neza ico zisigura. Ni nk'akarorero mu gihe c'ingingo zitanga ibitigiri vy'abatora vyemewe mu biro bimwe bimwe vy'amatora batanditswemwo, ku bijanye n'ikiringo agapapuro baha uwiyandikishije (récepissé) kugira ngo aronke uburenganzira bwo gutora, ku bijanye n'aho ubwiherero buba buhagaze canke amasaha yo gusozererako amatora. Ubwo buryo bwo gukora busa n'ubwemewe n'imirwi yigenga ijejwe gutunganya amatora yo ku rwego rw'amakomine n'izo ku rwego rw'intara zikurikiza ingingo zitanzwe mu mvugo nk'izanditswe. Ariko, izo ngingo zo mu mvugo ntizikoreshwa gusa mu gutorera inyishu ibibazo bijanye n'itunganywa ry'amatora ku nzego zo hasi, ariko zirafise rimwe na rimwe inkurikizi ku kwizigira ibivuye mu matora canke mbere no mu gihe nyene abatora barangura ico gikorwa bafitiye uburenganzira. Umurwi w'Ishirahamwe ry'abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana amatora ubona ko ugushikiriza inkuru mu mvugo bidashobora gusubirira namba ugushikiriza inkuru mu nyandiko.

Ibikoresho vy'amatora vyarahawe Imirwi yigenga ijejwe gutunganya amatora ku rwego rw'intara n'iyo ku rwego rw'amakomine guhera kw'igenekerezo rya 21 gushika kurya 22 Ruheshi, hakiri kare kugira birinde ingorane zose zijanye n'ibikoresho nkenerwa mu kiringo c'amatora y'abajenama b'amakomine. Itangwa bicerewe ry'agahembo k'abagize ibiro vy'amatora ku gikorwa baranguye mu gihe c'amatora y'abajenama b'amakomine ryatumye imyidogo y'abagize ibiro vy'amatora, mbere na bamwe bahavuye bashikiriza ko batazokora

mu kiringo c'amatora y'Umukuru w'Igihugu. Iyo myidogo yiyongeye ku kuntu imigambwe imwe imwe itari ku butegetsi yanse kwitaba amatora igahimiriza abanywanyi bayo kuva mu biro vy'amatora. Gutyo, ukutabona neza ukwo ibintu biriko biragenda kwarabandanije gushika ku munsi nyezina w'amatora ku bijanye n'igitigiri c'abagize ibiro vy'amatora koko bari kwitaba kuri ico gikorwa. Impungenge ko uko kutitaba vyari guhava bigira inkurikizi ku gitigiri c'abagize ibiro vy'amatora hamwe no ku kuntu amatora agenda ntizigeze zibonekeza, kubera abikuyemwo wasanga ari bake kandi ko ico kibazo caciye gitorerwa inyishu mu guha akazi abandi baje gufasha, na cane cane mu bari bafashije mu kwandika abatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima ko abagize ibiro vy'amatora bitavye amatora.

Nkuko twabivuze hejuru, itegeko bwirizwa inomero 28 ryo kuwa 16 Ruheshi rigenga itunganywa ry'ukuntu amatora y'Imukuru w'igihugu agenda, Umurwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu gihugu ufata amatora y'Umukuru w'Igihugu nk'imarampaka. Iryo tegeko bwirizwa ryahavuye ritegeka ihinduka ry'uburyo bwo guharura ivyavuye mu matora. Gutegekanya igitigiri nyezina c'abagize ibiro vy'amatora birakenewe cane kubera mu kiringo c'amatora y'abajenama b'amakomine ibiro bimwe bimwe vy'amatora vyari vyamaze guharura amajwi badaharuye amajwi yashizwe mu mabahasha yirabura. Ubundi, ingorane zashizwe ahabona n'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora mu gihe c'amatora y'abajenama b'amakomine, ni ukuvuga ubwiherero butabereye hamwe n'inkurikizi zabwo ku gutora mw'ibanga, kuba amajwi ari mw'ibahasha ryirabura ataharuwe hamwe n'ingorane yo kudashobora kwuzuza ivyegeranyo, vyaribonekeje muri ubu buryo bushasha.

Igikorwa c'ugutanga amakarata nticari bwahere imbere y'isango ry'ugutora abajenama b'amakomine bikaba vyatumye Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, uha uburenganzira abatora gutora bakoresheje udukarata biyandikishirijeko resepise. Igikorwa c'ugutanga amakarata cagiye kumera nkikirangira hagati y'ayo masango abiri y'ugutora. Kukaba nkako, izo ntonde zaratosowe hagati y'Amatora y'abajenama b'amakomine n'Amatora y'Umukuru w'Igihugu. Twisunze ibiharuro bitangwa n'Umugambi wishinze gushigikira Amatora (PACE), iryo tosorwa ryahagarikiye ku gitigiri ca 2.343 c'abatora bari mu bitabu vy'abiyandikishije ariko batari banditswe mu mashini. Ibiro bikuru bijejwe amatora vyaciye bikora amakarata 12.538 akwiranye n'igitigiri c'intonde zasubiwemwo hamwe n'amakarata atari yasohowe. Isubirwamwo ry'intonde ryatumye hashingwa ibindi biro vy'amatora mu gihugu cose bituma igitigiri c'ivyobiro kiba 6.969.

Umurwi ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, kw'itariki 19 Ndamukiza warafashe itegeko bwirizwa n. 023 ijanye n'ihindura ry'ikibanza co gutoreramwo iha uburenganzira abatora bamwe bamwe gutorera mukibanza kinyuranye n'ico bari biyandikishirijemwo. Iyo ngingo igaha uburenganzira abantu batarenga 10 batanditswe kubiro vy'amatora bimwe. Umurwi ujejwe gutunganya amatora mu gihugu waratanze itegeko ku mirwi ya CECI na CEPI yuko iyo ngingo yo kutarenza abantu 10 batanditswe kubiro vy'amatora ivaho. Ku

munsi w'amatora, abajejwe gukurikirana amatora basanze hariho ukuzazanirwa kubijanye n'igitigiri c'abashobora kwiyongerako uko gikwiye kungana. Igitigiri c'abashobora kwiyongerako cababa ibice 3,33 % vy'abatora mu biro vy'amatora bagendeye uwo munsi. Ibitigiri vy'abiyongeyeko vyababa ibice 13,5% mu biro vy'amatora (BV) aho Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora (MOE UE) wakurikiranye ivyo bikorwa.

Iryo tegeko bwirizwa n.23 rirorohereza abatora bamwe bamwe kutarenganywa mukubaha uburenganzira bw'ugutora ariko riratuma hashobora kuba abikika mu kiza iyo ibikorwa bidatunganijwe neza.

Iryo tegeko bwirizwa riritegekanya neza isuzumwa ry'" Inkaratasi ziranga uwo muntu kandi zemeza imvo zatumye ahindura ikibanza co gutoreramwo" hamwe n'iyandikwa ry'amazina y'abatora batanditswe; ariko, ivyegeranyo vy'ibikorwa vy'amatora (F1) ntibitegekanya ikibanza c'ukwandikamwo amazina 10 y'abatora batanditswe, ivyo bikaba binyuranye n'itegeko ryatanzwe mu mvugo n'Umurwi ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI. Ku munsi w'ugutora, amazina y'abatora batanditswe yarandikwa ku ntonde ziyongereye ku biro vy'amatora nka vyose aho Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora (MOE UE) washoboye gushika. Mu bihe nk'ibi, ugukoresha n'ugusuzuma na ntaryo irangi ridahanagurwa nibwo buryo bwonyene bwo kurwanya abokwikika mu kiza.

## IV. IYANDIKWA RY'ABITOZA

Iyandikwa ry'abitoza kuba Umukuru w'Igihugu vyasaba gutanga icegeranyo c'ibisabwa hamwe n'ingwati y'amafaranga hisunzwe uko bitegekanijwe n'amategeko agenga amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana amatora ubona ko ibisabwa n'amategeko na cane cane nk'ikibazo kijanye n'intonde z'igitigiri kigera ku majana abiri c'abashigikiye umugambwe, urupapuro rwemeza ukwigenza neza hamwe n'ingwati y'umuriiyoni w'amafaranga y'amarundi vyaciye intege imigambwe "mishasha" na cane cane iyidafise uburyo bukwiye. Itariki 8 Ruheshi, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, warasohoye itangazo rimenyekanisha ukwitoza kwa Petero Nkurunziza mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu.

Kuvyerekeye amatora y'Abashingamateka n'abakenguzamateka, amatariki yo kwiyandikisha yahereye kuva itariki 09 gushika 23 Ruheshi 2010 ku bashingamateka, no kuva itariki 14 gushika 28 Ruheshi 2010 ku bakenguzamateka. Itariki 16 Ruheshi 2010, Umurwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu gihugu, CENI, warasohoye amatangazo abiri kubijanye n'ibisabwa mu kwitoza ku rwego rw'abashingamateka n'urw'abakenguzamateka hakongera hagasubiramwo itigeko bijanye. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ubona ko ivyo bisabwa ari vyinshi kandi ko ukuronka inkaratasi zimwe zimwe nk'urukaratasi rwemeza inyifato nziza, ukudakurikiranwa n'ubutungane

hamwe n'ingwati (400.000 vy'amafaranga y'amarundi angana nk'amafaranga 265 y'amanyaburaya) vyohava bisubiza ibikorwa mu ngorane zibonekeje mu matora y'abajenama b'amakomine. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu umaze kubona ko atabiyandikisha ngo bitoze mu matora y'abashingamateka yo kuwa 21 Ruheshi, waciye ufata ingingo yo gusohora itangazo ritegekanya ikiringo c'ukumenyesha abitoza kuba abashingamateka kw'itariki 23 Ruheshi wongera utanga n'akaryo ko gusozera iyandika ry'abitoza "bamenyekanye" gushika kw'igenekerezo rya 27 Ruheshi 2010 isaha umunani z'umuhingamo. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uremeza ko ivyo vyakozwe uko kugira borohereze imigambwe itavuga rumwe na Reta kugaruka mu matora.

Kw'itariki 27 Ruheshi isaha 8 z'umuhingamo, ku matora y'abashingamateka, Umurwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu gihugu, CENI, wari waronse abiyandikishije kwitoza bo mu mugambwe CNDD-FDD, FRODEBU NYAKURI, bo mu mugambwe w'abakozi n'intwaro rusangi (PTD), bo mu mugambwe SANGWE PADER, bo muri FROLINA, bo mu runani rw'imigambwe imwimwe, abigenga babiri bo mu ntara ya Bururi ; hamwe n'intonde z'abashingamateka bo mu bwoko bw'Abatwa rwashikirijwe n'amashirahamwe abaserukira kurusha ayandi. Hisunzwe ingingo 130 yo mu gitabu c'amategeko agenga amatora, Umurwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu gihugu, CENI, ufise iminsi indwi kugira ngo wige iyemerwa ry'abiyandikishije. Naho kubijanye n'ukwitoza kuba umukenguzamateka, n'ubwo hari ikiringo, Umurwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu gihugu, CENI, ntaco wamenyesheje Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uguma ukurikirana uko ibintu biguma bigenda.

## V. UKWIYAMAMAZA

Imyiyamamazo mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu, yari itegekanijwe kuva 12 gushika 25 Ruheshi, yaranzwe n'icuka c'ihagarikwa ry'ibikorwa vya politike n'ukutabona neza uko ibikorwa vy'amatora biri bubandanye, na cane cane kubijanye no kwitoza mu bajenama b'amakomine hamwe n'amatora y'abakenguzamateka n'abashingamateka b'imigambwe ihurikiye mu runani ADC Ikibiri hamwe na Uprona. Munyuma, mukiganiro bahaye abamenyeshamakuru itariki 23 Ruheshi, urunani ADC-Ikibiri rwamenyesheje ko rwiyonkoye mu matora y'abajenama b'amakomine, ay'abashingamateka n'ay'abakenguzamateka. Ukwiyonkora mu matora kw'igice kinini c'imigambwe itavuga rumwe na reta vyarunyuye icuka kibi mubanyepolitike. Gushikubu, Uprona nayo nyene ntirashikiriza amazina y'abitoza kuba abashingamateka, ariko ntiramenyesha ko itazohiganwa.

Ayo madidane yatumye umutekano uguma uhungabana. Nico gituma ibihe vy'imyiyamamazo vyaranzwe n'umutekano muke mbere na bamwe barakomereka abandi barahasiga ubuzima. Hari ibisasu biturika vyatewe muri ubwo buryo mu mazu canke ahantu hakoranira abantu

benshi. Ingoro z'umugambwe CNDD-FDD zaraturiwe mu ntara nyinshi z'igihugu. Imigambwe itavuga rumwe na Reta iragirizanya n'uwo mugambwe kurayo mabi, CNDD-FDD ukagiriza iyo migambwe ko ishaka guhungabanya amatora, iyo migambwe nayo ikagiriza CNDD-FDD ko ariwo wabikoze kugira usigure itabwa muri yompi ry'abatavuga rumwe na Reta. Ibihuha bijanye n'ugushaka gufunga Agathon Rwasa na Alexis Sinduhije n'ifatwa ry'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta vyarushirije guhungabanya umutekano. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana amatora uranegura uwo mutekano muke ukibutsa ko ubwo bubisha butosekaza itunganywa ry'amatora yisunga intwaro rusangi.

Mugihe CNDD-FDD wariko uriyamamaza bimwe bikomeye, imigambwe itavuga rumwe na Reta yoyo yateye akamo abanywanyi bayo kutitaba nagato amatora. Ivyo babikoze babicishije mubiganiro bagiranye n'abamenyeshamakuru canke babicishije mumaradiyo. Agateka n'uburenganzira bwogushikiriza ivyiyumviro, ugukoresha amanama vyaragabanijwe cane n'ingingo y'umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu gihugu ibuza amanama canke amakoraniro y'imigambwe itashikirije amazina y'abitoza kuba Umukuru w'Igihugu. Vyongeye, itegeko bwirizwa n. 028 ryo kuwa 16 Ruheshi 2010 rijanye n'irangurwa ry'amatora y'Umukuru w'Igihugu ryahaye amatora intumbero kamarampaka yari gutuma imyiyamamazo y'ukurwanya uwitoje wenyene ishoboka, gurtyo uwutora agashobora kuronka inkuru itanzwe na benshi.

Kubijanye n'urwego rwo gucungera umutekano, twihweje ko rwigenjeje neza muri rusangi. Yamara kubijanye n'ishirwa mu ngiro ry'itegeko ry'Umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu Gihugu, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora waramenyeshejwe ko habayeho uguhangana hagati y'abajejwe umutekano hamwe n'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta aho bamwe bakubiswe canke bagafungwa n'abajejwe umutekano. Mu bijanye n'umugambi w'amatora, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urasaba urwego rujejwe umutekano gutuza ububisha bwose hisunzwe ukudahesha n'ukwubahiriza amategeko.

Imbere y'uko imyiyamamazo itangura, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warakurikiranye itangwa ry'ibikoresho vyo kwiyamamaza vy'umugambwe CNDD-FDD. Amakoraniro yo kwiyamamaza y'umugambwe CNDD-FDD yarateguwe neza mu mutekano ntangere w'abajejwe umutekano hamwe n'urwaruka ruhurikiye mu mugambwe. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye ikoreshwa ry'imiduga ya Reta mu gutwara abakozi ba Reta harimwo abashikiranganji n'abarongoye intwaro. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana amatora uranegura iyo nyifato ibujijwe mu gitabu c'amategeko agenga amatora kandi inyuranye n'inyifato nziza yemewe n'amakungu. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'uko iyo nyifato itigeze iterwa ivyatsi canke ngo ihashwe mu kiringo cose co kwiyamamaza.

Amajambo yo kwiyamamaza yarashimikiye kenshi kuvyaranguwe iyi myaka itanu iheze, agahimiriza ugutora cane, kubice 100 %, uwitoza ariwe Petero Nkurunziza. Mu gutera intege abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta ngo batore uwitoje ari umwe rudende, abanywanyi bashasha baratumiwe gushinga intahe kumvo zabatumye bava mu mugambwe bahoramwo. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora waratewe akamo n'abaserukira amashirahamwe ataho yegamiye muvya politike, abakuru b'imigambwe n'abanyagihugu kubijanye n'iterabwoba rikorerwa abari mu migambwe itavuga rumwe na Reta hafi mu ntara zose z'igihugu, mu ntumbero y'uko bohindura imigambwe barimwo bakinjira muri CNDD-FDD hamwe no guhimiriza abanyagihugu ngo bazoje gutora canke bareke itariki 28 Ruheshi. Inkuru z' iterabwoba zaranyuragijwe biciye mu mvugo ziturira ziri mu nyandiko zidateweko umukono. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimitse mu kwibutsa y'uko hisunzwe amategeko mpuzamakungu, kugira habe amatora yubahiriza intwaro rusangi bene gutora babwirizwa kugira ubwigenge bwo gutora ata gitsure cotuma hatosekara canke hahungabana uburenganzira bwabo bwo gutora.

## VI. AMASHIRAHAMWE ADAHARANIRA INYUNGU ZA POLITIKE, ABAROREREZI BO MU GIHUGU NA MPUZAMAKUNGU.

Muri rusangi, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu warashimishijwe kandi uremeza ivyavuye mu matora yateguwe mu 2010. Turetse Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, abandi barorerezi mpuzamakungu bararungitswe: 32 bava muri Reta zunze ubumwe za Amerika, Ububirgi hamwe no mw'Ishirahamwe ry'abashingamateka ba Buraya bajejwe umugabane wa Afrika (AWEPA), Ibiro vy'abaserukira Ubufaransa, Ubudagi, Ubwongereza, Ubuhorande, Kenya, Uganda na Tanzaniya mu Burundi. Amashirahamwe mpuzamakungu nayo nyene yararungitse abakurikirana amatora, abo ni nk'abarungitswe n'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika ryarungitse 25, Ishirahamwe ry'Ubutunzi ryo muri Africa yo hagati (CEEAC) ryarungitse 23, Ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Africa y'ubuseruko (CEA) hamwe n'isoko rusangi rya Africa y'ubuseruko n'amaja epfo (COMESA) yarungitse 11.

Urunani rw'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike COSOME n'Umurwi w'ubutungane n'amahoro w'Abasenyeri bararungitse abarorerezi bababa 4,612 ni 2,307 gucungera amatora y'umukuru w'igihugu.Ubuhinga bwo gukorera hamwe n'amashirahamwe ajejwe gukurikiranira hafi ivyo mungo bwaratanzwe na NDI.Abahagarikira amatora bose hamwe bari 7,500.Ku munsi w'amatora abahagarikira amatora b'abarundi bari mu biro vy'amatora ashika 85,7%, aho n'abarorerezi b'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora bari bagendereye.

## VII. AMATATI ATURUTSE KU MATORA

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, ntushimishwa n'ukubona ko amatati aturutse ku matora adasigugwa neza mu gitabu c'amategeko agenga amatora kandi uranegura ukuntu ata gushaka kuboneka ko kwuzuza amategeko agenga, Ubwa mbere itunganywa ryo gutorera inyishu y'ibibazo ijanye n'amatora y'abajenama b'amakomine, hamwe n'ukudatomora ingingo ngenderwa ko mu matora y'Umukuru w'Igihugu.

Naho itegeko ryerekana neza inzego zijejwe gutunganya amatora y'Umukuru w'Igihuhu, y'Abashingamateka, nay'Abakenguza mateka muri kamarampaka; iryo tegeko nyene riguma rishimikira ku kibazo cerekeye ingingo ngenderwako imbere y'inzego izarizo zose. Nuko, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'ingingo zimwe zimwe, imbere ya sentare yubahiriza ibwirizwa shingiro n'imbere y'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, zari zipfunyiye mu rwandiko ngenderwako z'uwo murwi mu ruhande rumwe n'ingingo ngenderwako mu rundi ruhande bitamenyeshejwe. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ubona ko mwene izo ngingo zoshirwa mw'itegeko rikanongerezwamwo n'izindi ngingo zofasha mu matora y'Umukuru w Igihugu.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'uko urwego rukuru rugenga amatora rutashinzwe, bishimikije mategeko mpuzamakungu akwiranye nukwitwara mu gihe bikwiye, n'igitabu c'imburane zivuye ku matati aturutse ku matora, mu matora azokurikira.

Dufatiye ku bushobozi bw'igikorwa c'ico gisata gikuru kigenga iyubahirizwa ry'amategeko Shingiro ya Republika y'Uburundi n'ingene ikora,n'icegeranyo ca nyuma c'ibiharuro vyavuye mu matora y'Umukuru w'Igihugu, y'abashingamateka, y'abakenguzamateka muri kamparampaka, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'uko Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro itigeze ironswa imfashanyo n'ubushobozi bikwiye gukora ivyari biyigenewe mu gihe Ishirahamwe mpuzamakunguku yari yabibaronkeje. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uratera intege ubutegetsi bw'uburundi n'abanyamahanganga bose bakurikiraniye hafi ivy'amatora, gusenyera ku mugozi umwe mu kuronsa ibikwiye ubwo burongozi imbere y'amatora y'abashingamateka ategekanijwe itariki 23 mukakaro 2010.

**VIII. KUBIJANYE NO KUMENYESHA AMAKURU**

Urunani rw'amaradiyo rwateguwe ngo rukurikiranire hafi ukwiyamamaza mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu , rwarakurikiye ibikorwa vy'ukwiyamamaza vy'uwitoza ari umwe gusa, Petero NKURUNZIZA, biciye mu makuru ariyo bise « synérgie des médias».Ariko rero, mu kubura ihiganwa rya benshi muri ico kibanza,ibimenyesha makuru vyaragabanije

igitigiri c'ibiganiro vyerekeye politike, bica bituma bitwararika ibijanye n'umutekano w'uyo mwiyamamazo.

Ibimenyeshamakuru vyararanguye umwuga bijejwe mu kubahiriza ubwigenge bahawe n'ingingo ya 31 iri mw'Ibwirizwa Shingiro ry'ubu, n'ingingo n° 1/025 y'igenekerezo rya 27 Munyonyo 2003 igenga ibimenyeshamakuru.

Abamenyeshamakuru bahurikiye mu bimenyeshamakuru bitandukanye, barakoreye hamwe nk'uko babikoze mu matora y'abajenama b'amakomine aheruka, ngo bashobore kurangura umwuga wo gushikiriza amakuru ku vyerekeye umwiyamamazo w'Umukuru w'Igihugu, n'ugusenyera ku mugozi umwe ku munsi w'amatora arivyo bise « synérgie »bafashijwe n'umugambi PACAM.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimiye urwo runani ukanatera intege ivyo bimenyeshamakuru kubandanya gurtyo no mu matora azokurikira.

Ibimenyeshamakuru muri rusangi, vyarakurikije ivyari mu gitabu c'amategeko agenga amatora. Ariko rero, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'amaradiyo amwamwe yigenga yahengamye imbere y'amatora n'igihe co kwiyamamaza na cane cane bidaciye muri rwa runani rw'amaradiyo" synérgie des médias". Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uributsa ibimenyeshamakuru akamaro ko gukurikiza amategeko abigenga. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urongera ugatera intege ibimenyeshamakuru ngo bitohoze ibihuha birondere ukuri mu ntumbero nya mukuru yo gutunganya akazi kabo neza.

Ku ruhande rw'ivyo, amaradiyo y'igihugu RTNB 1 RTNB 2 yarashikirije ibikorwa vy'imigambwe itavuga rumwe na Reta biciye mu runani « synérgie »des médias. Imboneshakure y'igihugu yoyo ntiyahaye akaryo kangana hagati y'umugambwe uri ku butegetsi n'iyindi itavuga rumwe na Reta, bivuye mu kudashikiriza ibiganiro vyerekeye iyo migambwe.

Naho urwego rujejwe kugenzura itangwa ry'amakuru mu gihugu (CNC) rwasohoye ingingo y'ugutunganya igikorwa c'ugushikiriza amakuru mu kiringo c'ukwiyamamaza mu kibanza c'umukuru w'igihugu; uko kwiyamamaza ntikwari guhuye n'ibiranga uwitoza umuntu umwe rudende. Aho niho Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uhinyura agacerere k'urwego rujejwe kugenzura itangwa ry'amakuru igihe hari icandiko catanzwe n'Ishirahamwe ry'abahinga mu kumenyesha amakuru (OPB) cadoma urutoke ku nyifato y'ugushikiriza amakuru atabereye y'iradiyo yigenga Rema FM. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uratera intege bimwe bishemeye urwego rujejwe kugenzura itangwa ry'amakuru(CNC) mu kurangura ibango

rujejwe nk'urwego rutunganya amatati yoturuka kw'ihonyangwa ry'ingingo zigenga abamenyeshamakuru mu matora akurikira.

Mu gusozera, abarorerezi b' Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora baronse inkuru ziva ku bamenyeshamakuru baburabujwe mu gikorwa cabo. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uributsa iyubahirizwa ry'agateka n'uburenganzira bw'abamenyeshamakuru mu gikorwa co gutohoza amakuru ya politike mu mutekano bahagarikiwe n'ubutegetsi.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wabonye ko hari ibimenyeshamakuru bimwe bimwe bitakurikije ingingo y'agacerere, ku vyerekeye, imyiyamamazo, yari yatanzwe n'urwego rujejwe kugenzura itangwa ry'amakuru. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uributsa ibimenyeshamakuru igikorwa cabo c'ugutohoza n'ugushikiriza amakuru kiri mu ngingo zibagenga, ukabatera n'intege kuba maso mu matora akurikira.

## IX. AMATORA YO KUWA 28 RUHESHI 2010

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wararorereye itanguriro, ingene amatora yagenze, iharugwa n'itangazwa ry'ivyayavuyemwo mu biro vy'amatora 205 ku gitigiri 6,969. Mu gutangaza ibiharuro vyavuye mu matora, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warakurikiranye icegeranyo c'ibiharuro catanzwe n'imirwi yigenga ijejwe gutunganya amatora mu ntara(CEPI).

Amatora yabaye mu mutekano naho hari hibonekeje ibiyahungabanya bitari bike imbere y'amatora. Naho hari icuka kibi kirimwo n'ubugizi bwa nabi abarundi barashoboye kwitaba amatora.

Abahagarikiye amatora mu kugendura ibiro vy'amatora barashoboye kubona ko igipolisi c'igihugu cakikuje ibiro nka vyose.

Ibiro vy'amatora bitari bike vyagenduwe n'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora vyuguruye ibikorwa neza na neza vyacerewe hagati y'iminuta 15 na 45 ataco vyononye ku matora.

Ubwoba ko hoba hari abari mu biro vy'amatora bidohoye, ivyo bikononera ivyavuye mu matora ntibwahabaye kuko batari benshi kandi baciye basubirizwa n'abatowe mu bakarani banditse abitoza.

Abahagarikizi baravyihweje babona ko amatora yagenze neza mu bice 95% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe.Ba bandi batanu bagize ibiro vy'amatora bari bahari ku bice 98 % vy'ibiro vyagenduwe.Ibikoresho vy'amatora vyari bikwiye ku bice 86% vyonyene vy'ibiro

vyagenduwe.Ibikoresho vyonyene vyari bibuze bikaba vyari iradiyo n'agaharuzo, ivyo na vyo bikaba bitotosekaza ivyavuye mu matora.Abahagarikizi b'abarundi ni ho bari mu bice 85,7% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe na wa Mugwi w'Ishirahamwe Ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora.

Abahagarikizi basanze ko ubwiherero bwari butunganijwe ku buryo itora riba mw'ibanga mu bice 93% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe. Yamara, basanze ko, ku mpanvu y'inyigisho zidakwiye,hari abatugaye ibahasha, bituma aho bahagaze canke begamiye haja ku mugaragaro mu kiringo co gucokeza iyo bahasha mw'isandugu.

Abahagarikizi bemeza ko guhinyuza ko rirya rangi ridahanagurika rikora neza vyagizwe mu bice bitarenga 48,5% vyonyene vy'ibiro vy' amatora vyagenduwe. Bitayeko, abahagarikizi ba wa Mugwi w' Ishirahamwe Ry'Abanyaburaya Ujejwe Guhagarikira Amatora, babonye ko hari imihingo imwimwe y'igihugu na canecane mu gihugu hagati,abatora bahimirijwe ngo batore kurya canke kuriya mu bice 8,5% vy'ibiro vyagenduwe,ivyo bikegekwa muri rusangi ku bakuru b'imitumba, ku barongozi b'ubutetsi bw'intara canke ku barorerezi.

Nk'uko vyagenze mu matora y'abajenama b'amakomine, Umukuru w'Umugwi Wigenga Ujejwe Gutunganya Amatora Mu Gihugu yaramenyesheje ibiro vy'amatora abicishije ku nsamirizi, ibice kw'ijana bitandukanya amakarata yatanzwe n'ayashizwe mu mabahasha mu kiringo co kugara ibiro vy'amatora.Iyo ngingo ikaba ibereye amatora y'abitoza ari benshi kugira ngo boroshe ibiharuro kandi bazitirire ubusuma. Mu gihe uwitoza ari umwe iyo ngingo ntiyungura ikintu kinini. Muri aya matora duhejeje y'Umukuru w'Igihugu,Umukuru w'Umugwi wigenga Ujejwe Gutunganya Amatora Mu Gihugu, CENI, yatangaje mu ngingo n.029 ko ibice bitandukanya amakarata yatanzwe n'ayashizwe mu mabahasha ari ibice 15% kandi mu matora y' abajenama b'amakomine vyari ibice 10%. Umukuru W'Umugwi Ujejwe Gutunganya Amatora yasiguye ko ivyo vyatumwe n'ijunja canke ihambara ry'amatora y'umukuru w'igihugu.

*Gusozera, guharura, kuroranya no kumenyesha ivyavuye mu matora.*

Kunana kw'Umugwi Wigenga Ujejwe Gutunganya Amatora, CENI, mu gihugu ku ciyumviro co kumanika ivyegeranyo ku bibanza vy'amatora kandi Umugwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wari wabibahanuye kuva ku matora y'abajenama b'amakomine, vyaratosekaje umugaragaro w'amatora. Birakwiye ko ku yandi matora asigaye yimirije, Umugwi Wigenga Ujejwe Gutunganya Amatora mu gihugu, CENI, ukurikiza izo mpanuro zijanye no gukora ku mugaragaro nko gutangaza ivyegeranyo mu maguru masha be n'ido n'ido ry'ivyavuye mu matora kuri bwa buhinga ngurukanabumenyi bwa none bwo gutumatumana amakuru tutibagiye kubimanika ahagaragara.

Iharura ryagenze neza mu biro vy'amatora hafi nka vyose vyagenduwe. Igitigiri c'abatoye biyongereye kingana n'ibice 3,33% vy'abatoye mu biro vy'amatora vyagenduwe ku murango. Igitigiri c'abatora biyongereye batiyandikishije kingana ibice 13,5% mu biro vy'amatora

Umugwi W'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wahagarikiye iharura. Abahagarikizi b'Umugwi W'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wabonye ko habaye ukwitiranya n'ugukekeranya ku gitigiri c'aboba bariyongereye mu batoye.

Iyegeranywa ry'amababahasha arimwo ivyavuye mu matora hamwe n'ibikoresho vya nkenerwa mu bisanzwe rigirwa iharurwa rirangiye mu bi banza vy'amatora n'uwuri mu Mugwi Wigenga Ujejwe Gutunganya Amatora Ku Rwego Rwa komine yagenywe nk'umugenduzi w'igice c'ikomine.Icegeranyo c'ivyavuye mu matora gitegerezwa kugirwa ku rwego rwa komine ubwambere,hagaheruka ku rwego rw'intara.Ubuhinga bwo kwegeranya ivyavuye mu matora bungana uko intara zingana.Nta ngingo n'imwe yerekana nimba iyegeranywa ryaba iryo mw'ikomine canke iryo mu ntara ritegerezwa kuba irya bose canke rikagirwa ku mu garagaro.Mu bihe bimwebimwe abagenduzi b'Umugwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu ma Komine baja ku rwego rw'intara ivyegeranyo vy'ivyavuye mu matora vyagizwe n'abakuru b'umugwi mu ma komine. Mu bindi bihe, ivyegeranyo vyo mw'ikomine vyagizwe kw'ikomine rimwerimwe n'abagize Umugwi ujejwe amatora mw'Ikomine bakoraniye mu nama,ikindi gihe bikagirwa n'umukuru wuwo mugwi uko ivyavuye mu matora bimushikiriye.Abahagarikizi b'Umugwi W'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora muri rusangi waravye ryiza iyo ntambwe naho ubona ko ivyegeranyo vyazizwe mu buryo budatomoye mu ntara zimwezimwe.Gukorera ku mu garagaro vyokwiyongera mu gihe iyo ntambwe yoba itomoye kuruta.

Bisubiye, uwo mugwi w'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warishikiye ahakoranirizwa n'ahatunanirizwa ivyegeranyo vy'ivyavuye mu matora. Kuri uyu munsi hakiriko haratunganywa uru rwandiko,bari bakiriko barashingura icegeranyo mu kibanza cabigenewe na wa Mugwi Wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu ntiwari bwatangaze icese imfatakibanza y'ivyavuye mu matora.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora washaka gushimira Reta y'Uburundi, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI ; Abarongozi b'inzego bose, Imirwi y'intumwa z'abarorerezi mvamahanga hamwe n'izo mu gihugu, hamwe n'Amashirahamwe adaharanira inyugu za polotike yo mu Burund,i mu gufashanya kwabo hamwe n'ukutwakira neza muri iki kiringo co guhagarikira amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimira Intumwa z'Ishirahamwe rya Buraya ryo mu Burundi, ukongera ugashimira Intumwa ziserukira ibihugu vyabo mu Burundi, hamwe rero na TRANSTEC, mu gusenyera ku mugozi umwe muri iki kiringo c'amatora. Iki cegeranyo kikaba kiriho no mu Kirundi kuri bwa buhinga bw'ingurukanabumenyi bw'uyu mugwi: http://www.eueom.eu/burundi2010. Icegeranyo co mu Gifaransa conyene nico cokwizerwa.

**Mufise ico mubaza, hamagara :**
Umushingantahe Tommaso Caprioglio, Icegera c'Umukuru w'Intumwa z' uyu mugwi, tél : + 257 78 293 364
Umushingantahe Renaud Dewit, Ashinzwe Ibinyamakuru, tél : +257 78 293 373

**Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora-BURUNDI 2010**
**BRIGHT Hotel Rohero 2, Avenue Kunkiko No. 42,**
**BP 1545 Bujumbura tél: +257 22 25 61 88**